Igisagara ca Winooski
Amahirwe ari mugisagara ca Vermont

27 West Allen Street
Winooski Vermont 05404
802 655 6410
winooskivt.gov

Uwutora- Igicapo ku bijanye ngo guhindura ivyo Gupanga
Ifishi ibivuga neza

Incamake: Abatora basavye igisagara guhindura amasezerano. Iryo hinduka rishobora kwemerera abagize inama mpanuzwajambo y' igisagara ca Winooski gutora itegeko rimwe ry'ugusohorwa. Winooski nico co kwemeza itegeko ku bijanye no kwomora ku mvo zumvikana itariki 7 Ntwarante 2023 Reta itegerezwa kandi kwemera iryo hindurwa. Inama nkuru y'abanyagisagara izofata kandi ingingo yo gushiraho canke kureka itegeko ku bijanye no kwomora ku mvo zumvikana. Iyi fishi itanga amakuru ku kuntu bizogenda hamwe n'ikirangamisi. Izokwerekana kandi itegeko ryose uko ringana ku vyo bipfuza ko vyohinduka ku bijanye n'integuro y'amatora.

birabe ku rubuga ngurukanabumenyi: winooskivt.gov/justcause
Hamagara canke andika email mu gihe mufise ibibazo: 802 655 6410 / justcause@winooskivt.gov

Hanahane ivyiyumviro n'abandi mu bihe vy'amanama yigenga kand yugururiwe bose:

Ku wa kane, itariki 26 nzero 2023
Isaha 12 z'umuhingamo muri hoteri y'Igisagara ca Winooski (27 West Allen Street)
Gukurikiranira ku murongo wa internet: us06web.zoom.us/j/84364849328
Gukurikiranira kw'iterefone: 1 646 558 8656
Inomero z'inama: 843 6484 9328

Kuwa gatandatu itariki 4 ruhuhuma 2023
Isaha 5 z'igitondo kuri centre communautaire O'Brien (kubantu bahashitse gusa)

Amakuru ku bijanye n'impinduka

Amasezerano agenga igisagara ashiraho amategeko y'ingene uburongozi butunganijwe n'ingene bushobora gukora. Itegeko ry'i Vermont riraha ububasha abatora gutanga ivyo babona ko vyohindurwa mumasezerano atunganya igisagara. Iyo 5% vy'abatora basinye urwandiko rusaba ko amasezerano ahinduka, igisagara gica candika ivyahinduwe mu matora akwirikira. Igisagara ca Winooski kironse urwandiko ruteyeko igikumu n'ibice 5% vy'abatoye kw'itegeko rihinduka rigaca riha ububasha inama nkuru y'igisagara ca Winooski ko bwo tegura itegeko rikingira abapangayi ku bijanywe no kwirukanwa attamvo zumvikana. Murabe uko vyipfuzwa aho munsi.

Ikirangamisi ku bijanye n'impinduka z'amasezerano n'itegeko rivyemeza

Mu gihe "utatoye", kwimuka ku mvo zumvikana ntibizogirwa mu gisagara ca Winooski ico gihe Iki kirangamisi kirashobora gusaba inama mpanuzwajambo yakabiri gutora kugira yemeze uko bizogenda

Nimba uriko urarondera amakuru kw'uburaro, raba ku rubuga winooskivt.gov/housing

Impinduka ku matora yatanzwe n’abazotora mu matora izoba iri ku rutonde rw’amatora rw’inama mpanuzwajambo y’igisagara yo muri 2023:

Ingingo ya 4

Amasezerano y’igisagara ca Winooski, Amategeko yo muri 2013, n° M-9, nk’uko yari yarasubiwemwo, yoba yarahinduwe gushasha kugira inama mpanuzwajambo igize igisagara ironke ububasha biciye mw’itegeko nshikiranganji rikingira abapangayi b’amazu ku bijanye no kwimura « abantu ku mvo zitumvikana » mu kwemeza no kwongerako agace k’304(b)(13) kavuga ngo:

“304(b)(13) (A) Gukingira biciye mw’ietegeko rijanye no gukingira abantu bose bapanze, nk’uko biri mu Kigabane c’137 ku mutwe w’amajambo 9 w’amasezerano y’i Vermont yemewe n’amategeko, ku bijanye no “kwimuka ku mvo zitumvikana, aho bazoshiramwo, hatirengagijwe:

(1) Kurenga ku masezerano ku wupangishije kandi yanditse,
(2) Kurenga ku mazerano ya Reta ku wupangishije ku bijanye n’ivyo umupangayi ategerezwa gukora biri mu masezerano agenga abapangayi,
(3) Kutariha inzu, ndetse
(4) Kwanka kw’umupangayi kwemera amasezerano mashasha kandi yanditse, yumvikana kandi bikozwe mu bugwaneza.

(B) Iryo tegeko ritegerezwa gukuraho ico kintu cemeza “ko vyumvikana” ko amasezerano yo gupanga ahagaze. Kiretse ibintuma vyumvikana mu kigabane c’137 ku mutwe w’amajambo 9, itegeko rirarekura ako gace, mu kwihanganira bimwebimwe, nko gupangisha upanze canke gupangisha muri iyo nzu nyene, canke amatongo mukwirikirana, kiretse aya Reta. Navyo ni nk’ibi:

(1) utuzu tw’ivyumba bibiri canke bitatu dupanzwe na bene two;
(2) Izitagipangishwa, harimwo izitagipangishwa, harimwo izu zitegerezwa na nyeneyo canke uwo mu muryango nk’inzu nkuru; hanyuma
(3) abakeneye ko hari ivyo babasubiriramwo bituma bataguma bayibamwo.

(C) Iryo tegeko ritegerzwa kujamwo ibi bikwirikira:

(1) kudashiramwo ibintu bikandamiza umupangayi, nk’ikiringo co kwitegura kuyivamwo akaronka umwanya ukwiye,
(2) gutegekanya umwanya wo gutegura neza inzu mu gihe hari uwayihoramwo, ndetse
(3) kureka kudugiriza umupangayi ku mvo zo kumwomora canke kutamwongera ikiringo, naho ibi atarivyo abarivyo kugabanya amahera yogupanga kugira ntihagire abomorwa.

(D) Iryo tegeko riratomora “igihe ciza” ndetse n’uburyo bubereye uwupangishije amenyesha uwumupangiye ndetse n’impapuro mperekeza zose zijanye n’amasezerano yogupanga."?